LIGUE BURUNDAISE DES DROITS DE L'HOMME
"ITEKA" association sans but lucratif
*Agréée par l'ordonnance ministérielle n°530/0273 du 10 novembre 1994 revoyant l'ordonnance 550/ 029 du 6 février 1991*
*Membre affilié de la fédération Internationale des Ligues des Droits de l'Homme (F.I.D.H)*

**LBDH/013 /2025** Kampala, 09/06/ 2025

# ITANGAZO

**Amatora afatanije hatorwa abashingamateka n'abajenama ba komine kuwa 5 Ruheshi 2025 mu Burundi : Abarorerezi b'amatora babwirizwa gukorera bose kandi badahengama imbere y'amabi y'itonga arengera imico ya demokarasi yibonekeza**

---

Umuhari Iteka warakwirikiranye n'ubwitonzi igikorwa c'amatora kuva hagishirwaho inzego zijejwe amatora hamwe n'amabi yayaranze.

Mu matangazo yawo,umuhari Iteka ntiwahengeshanije gushira ahabona amabi yaranze igikorwa vy'amatora cabaye mu cuka c'agacinyizo kubatavuga rumwe na Reta kibandanya kuva hatanguye intambara ya politique n'ukutubahiriza agateka ka zina muntu vyatewe n'amatora yo mu mwaka wa 2015.

Ni muri iyo ntumbero amatora ya 2025 yabaye mu cuka c'agacinyizo gakabije muri politike. Umugambwe kizigenza mu yitavuga rumwe na Reta, Ihuriro ry'igihugu riharanira kwishira no kwizana (CNL), urongowe na Agathon Rwasa,warakumiriwe n'indongozi z'u Burundi mu matora, ziwagiriza ubunenge mubijanye n'intwaro hamwe n'amanyanga yateguwe na Reta kugira ikumire abo batavuga rumwe.

Indorerezi hamwe n'abatavuga rumwe na Reta barashize ahabona ubunenge nko gutora kenshi,gutora ku nguvu, hamwe n'iterabwoba rikorwa n'akagwi k'Imbonerakure,zikomoka kumugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD.

Nico gituma umuhari Iteka unegura ibiri mu matangazo yibanze y'abarorerezi b'ubumwe bwa Afirika asasira hamwe n'ishirahamwe mpuzamakungu mu karere k'ibiyaga binini (CIRGL) ku matora y'abashingamateka n'abajenama ba komine yo kuwa 5 Ruheshi 2025 biboneka ko atabaye mu mwidegemvyo na demokarasi.

Ishirahamwe Iteka riboneyeho akaryo ko gushima ihitamwo ryiza ry'abafasha u Burundi batarungitse abarorerezi kwifadikanya n'ubutegetsi bw'umugambwe CNDD-FDD muri ayo matora y'inkinamico yaranzwe n'ikumirwa,igikenya,iterabwoba,iyugarwa ry 'ibibanza vy'amahuriro y'abantu, hamwe n'ayandi

4, Avenue des Euphorbes, B.P.177 Bujumbura-Burundi, Tél. :(257) 22228636, Fax :(257)22220004
E-mail :info@ligue-iteka.bi, Website : https://www.ligue-iteka.bi

mahohoterwa y'agateka ka zina muntu nk'ubwicanyi, Ukunyuruza abant, ukuborezwa igufa, guhagarikwa hamwe no gupfungwa bidaciye mu mategeko.

Mu bisanzwe,kuwa 5 Ruheshi 2025, umusi w'amatora y'abashingamateka n'ayo abajenama ba komine,umuhari Iteka, co kimwe n'ayandi mashirahamwe n'ibimenyeshamakuru vyigenga vyari vyakwirikiranye igikorwa c'amatora catororokanije amabi menshi n'ubunenge bw'amatora gushika aho n'umukuru w'umugwi CENI we nyene asaba imbabazi ku bitagenze neza,ubunenge n'amahohoterwa y'agateka ka zina muntu kuri uwo musi akanemera ko abononyi b'amatora bariho.

Ni kuri iyomvo umuhari Iteka uriyamirije amatangazo ahengamye y'indorerezi z'ibihugu bimwe bimwe hamwe n'amashirahamwe yo hanze nk' Ubumwe bwa Afirika n'ishirahamwe mpuzamakungu mu karere k'ibiyaga binini batubahutse gushikiriza ubunenge babonye. Amatangazo yabo arerekana neza aho bahengamiye mukutabona ibitagenze neza vyinshi.

Umuhari Iteka urateye intege amashirahamwe yigenga yo mu gihugu yakoze igikorwa co kurorera amatora akanashikiriza ivyegeranyo bidahengama kandi bitomoye ku vyagenze neza n'ivyagenze nabi mu gikorwa c'amatora ku mpande zose kugira atange impanuro zubaka mu ntumbero yo gukomeza demokarasi n'intwaro ishingiye ku mategeko mu Burundi.

Mu kurindira ivyegeranyo vyanyuma bitangwa n'abegwa n'amatora batandukanye hamwe n'ibizova mu matora vyanyuma, umuhari Iteka uremera ko uzotanga icegeranyo c'ivyaranze ayo matora kugira uterere mu gukomeza imico ya demokarasi mu Burundi.

**Umuhari Iteka**

**Anschaire Nikoyagize**

**Uwuwurongoye**